**Bible lessons.** **Lesson 22.** **I WISH I HAD MORE FAITH.**

**Genesis 15:1-6, 15-19; 21:1-3**

**Memory verse: "For everything spoken by God is possible." Luke 1:37**

**NIPFUJE UKWIZERA KO MUMUTIMA.**

Icirwa ca 32.

**Itang. 15:1-6; 21:1-3**

Ijambo ngenderwako : « ***kuko ata jambo rivuye ku Mana ribura ububasha.*** » **Luka 1:37**

**I. Intangamarara**

Ukwizera ko mu mutima ni intambuko ikomeye kandi nkenerwa ku ngenzi ija mw'ijuru. Hari aho bishika ugasengera ikintu ntikibe uko wagisavye Imana, ukibaza ko woba ata kwizera ufise. Tugiye kwiga uko Aburamu yagiye yizeresha ubwenge gusa ivy'Imana yaba imubarira bikamuviramo gucumura m'urugendo rwiwe n'Imana. Twige n'igikwiye kugira tugendere mu kwizera gusabw n'Imana koko.

**II. Imana isezeranira Aburamu**

-Igihe cari kibaye kirekire Aburamu ari mu kibazo co kuba ataravyarana n'umugore wiwe Sara, ndetse n'igihe yamuha umwami wa Egiputa nta mwana bavyaranye naho yamumaranye imisi myishi. Iki cabaye igituma Aburamu yumva ko kuzoronka umwana bitagikunze.
-Iki cari igihe Aburamu yari mu bwoba n'umubabaro w'uwuzosigarana izina ryiwe, yumva Imana iramubwiye ngo : « Nzoguha umugisha, uri sekuruza w'amahanga » Aburamu ni izna risobanura sekuruza w'amahanga. Nyuma Imana yamwise Aburahamu risobanura sekuru wa'isinzi.

**III. Intambuko mu kwizera kwa Aburamu.**

Soma. **16 :1-6 .** Iyi nkuru yerekana Aburamu yarindiriye imyaka 25 kuva amenyana n'Imana ari muri ico kigeragezo. Muri ico gihe, Aburamu yaratàye ukwizera muri vyinshi :

1. Igice ca 16 kirerekana aho ukwizera kwa Sara kwaheze asaba umugabo wiwe kuryamana n'incoreke yiwe Hagayi, uwo bari barakuye muri Egiputa, bari bishiriyeho plan B. kandi Aburamu arabikora. Sara yagira ngo : reka mfashe Imana yaduhaye isezerano ariko vyaranse ko irishitsa.

2. Aburamu yaciye inyuma isezerano ryo kwabirana. **Itang. 2:24**
3. Aburamu yanse kurindira isezerano ry'Imana.
4. Aburamu na Sara bemeye ko ivyo basezeraniwe bishoboka ari uko baronse umwana.

**IV. Aburamu na Sara imbere y'ikibazo.**

1. Babuze ukwizera, bafata umugambi wo kwiyaranja ariko bikunde baronke umwana avutse ku ncoreke biba bibi imbere y'Imana**.**
2. Agakengere : umurongo wa 4, Hagayi amaze kubona ko yasamye inda bituma akengera inabuja. Ingaruka kuri Sara.
3. Kudahana agaciro : hano Aburamu yemeye kumvira umugore wiwe naho ico yamusaba cari ikigoye. Yemera kwirukana Hagayi n'akana kiwe. yahaye agaciro umugore wiwe imbere y'abantu bose. Iyo mu rugo harimwo umwe abona ko uwundi ataco amaze, urwo rugo ntiruteba gusambuka.

**V. Ukubura ukwizera.**

**Soma 17:10 : « Umwaka ugeze aha uwu ugeze, sinzobura kugaruka iwawe, Sara** *umugore wawe yavyaye umuhungu.* » Aburamu yari akwije imyaka 99 Sara nawe 90 Imana yongeye kuncuro ya 3 kumubwira rya sezerano ko azoba sekuru w'amahanga menshi, na Sara nyina w'amahanga menshi. Ikiboneka ni uko Aburamu yunamye aratwenga kuko yumva vyukuri ivyo bitokunda. Ntiyizera Imana nk'Imana y'ubushobozi.

**VI. Ingaruka ko kutizera kwa Aburamu.**

**Uyu mugambi** wa Aburamu na Sara twawise « plan B » wari utandukanye cane n'ishaka ry 'Imana k'urugo rwabo. Kubera ko Aburamu yari yamaze kugirwa sekuru w'amahanga, uyu mwana Ishimayeli yabaye ihwa rizohora rirahanda abantu bose na cacne cane abana ba Israyel kugera k'umuhero w'isi. Niwe yavuyemwo ibi bihugu vyose vy'Abarabu (Islam) havukamwo ivyihebe kuva kera. Icumu ryabo ni umusonga uhanze isi yose.

**VII.Gushira mu ngiro**

Imana yari yaramaze kugera imyaka y'umuntu ko izoba 120 **Itang. 6:3** ibi vyatewe n'icaha. Biragusaba kugira ukwizer ko mumutima. Ukizera ico Imana yavuze mw'ijambo ryayo. Nta jambo rivuye mu kanwa k'Imana ribura ububasha. Kura ukwizera ko mu mutwe. Urashobora gusenga Imana ikakongera ukwizera, igahindura inzira zose zidahimbara Imana warimwo